# 306: Uyu musi w'akanyamuneza

1. Uyu musi w'akanyamuneza
N'umusi wo kuruhukako,
Kandi n'umusi w'Umwam' Imana,
Mwiz' urut' iyind' itandatu:
Kur' uyu musi wayo
Ni tuyiririmbire,
Ngo Yera, Yera, Yera,
We Mana nkuru y'Ubutatu!

2. Kur' uyu mus' Imana Rurema
Yaremy'' umurango n'umuco,
Kur' uyu mus' Umukiza Yesu
Yazuts' ava mu mv' i kuzimu,
Kur' uyu musi Mpwemu
Yaj' asa n'umuriro,
Nuko n'umusi wera
Mu buryo butatu bukuru.

3. Bagenzi, mureke kwibagira
Uyu musi mwiza w'Imana,
Ntimuhebe kuwukoranako
Kubg' izina rya Yes'' Umwami;
N'izina ryiza ryera, Riratunezereza,
N'izina ry'agakiza,
Nuko turih' icubahiro.

4. Kand' uyu musi n'uwo gusenga
No kwumv' ivy' Iman' itubgira:
Ni ho dusubirizwamw' intege
Nyinshi zo gukorer' Imana.
Dushime Mpwemu Yera,
Bo n'Umukiza Yesu,
Na Dat' Imana yacu,
Kw ar' Imwe mu buryo butatu